# Uraba kw'isi nk'aho woba uri umushitsi canke ingenzi iri ku rugendo

Mu vyakiriwe na Abdullahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yafashe ku bitugu vyanje ica imbwira iti: "Uraba kw'isi nk'aho woba uri umushitsi canke ingenzi iri ku rugendo"". Mwene Omari rero yahora avuga ati: "Niwabona wiriwe, ntukarindirize igikorwa gushika mu gitondo; niwabona wiriwe naho, ntukarindirize igikorwa gushika ku mugoroba; uraheza rero ukore mu gihe ufise amagara meza ibizogufasha niwakikwa n'amagara ukaremba; uheze ukore no mu buzima bwawe, ibizogufasha niwamara gupfa".

[صحيح] [رواه البخاري]

Mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamufashe ku bitugu aca amubwira ati: Uraba kw'isi nk'aho woba uri umushitsi aje mu gihugu ata muhana agifisemwo akikamwo umusaya, ata muteramyi afise amuremesha, ata n'umuryango canke imigenderanire mu kibano ahafise, bituma ataronka umwanya wo kwitwararika ibikorwa vy'Imana Rurema Allah, ahubwo mbere urarenza aho, uheze ube nk'ingenzi iri ku rugendo mu nzira iyishikana ku gatumba mu gihugu cayo; kuko burya umushitsi hari igihe bishika agahitamwo kuba mu kindi gihugu, bitandukanye n'ingenzi iri ku rugendo ruyiganisha mu gihugu cayo, uyu araheza akitwararika kutiremereza no kudahagarara ahadakenewe arajwe ishinga n'ugushika mu gihugu ciwe. Kurya rero uwuri ku rugendo adakenera kwitwaza ibimuremera birengeye impamba n'induhuro bimushikana iyo aroye, ni nk'uko nyene n'umwemeramana abigenza mu buzima bwo kw'isi, ntakenera vyinshi birenze ku vyomushikana iyo aroye (mu buzima bw'inyuma yo gupfa). Iyi mpanuro rero, Mwene Omari yarayigendeye aho yahora avuga ati: Niwaramuka ugeze mu gitondo, ntukarindirize ico ushaka gukora gushika ku mugoroba; niwirirwa naho ukabona ugeze ku mugoroba, ntukarindirize ico ushaka gukora gushika mu gitondo, maze rero wiharure mu bapfuye bari mu mva; kuko mu buzima uwutagize amagara meza ntabura kurwara; mu gihe ugifise amagara meza rero, ba uhurumbira ibikorwa vy'iyumviramana bizogufasha igihe wakitswe n'amagara ukarwara, maze witwararike gukoresha umwanya wawe mu gukora ibikorwa vyiza bitegetswe imbere yuko indwara iguciramwo, ukoreshe n'ubuzima bwawe bwo kw'isi mu kugwiza umwimbu w'ibizogufasha mu nyuma y'urupfu rwawe.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee